**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

*Munyonyo 2022* *Kirundi*

**N'iyi ingoro y'Imana mu bantu! Azoba hagati yabo, babe igihugu cayo. Nayo izoba Imana yabo**

(Ivyahishuwe 21,3)

**Bitangurira mu tuntu dutoduto!**
**It starts very smoll!**

Bakunzi b'Ijambo,

Igihe abayuda bava mu buja barimwo muri Babiloni bagasubira mu guhigu cabo ca Israeli, baciye bijukira bashimitse kwubaka igisengro cabo cari carasambuwe. Herodi mukuru yahavuye abihagarika nabo barajorerwa. Ku Bayuda, igisengero yari ingoro y'Imana. Imana ya ba Sekuru, Yahwe, imwe yabonekera Musa mu gisaka kirurumba, iba hano inyuma y'ihema ry'ivyeranda mu vyeranda. Eka na Yezu yama agenda gusengera muri ico gisengero. Ariko n'aho cari kinini kandi gishajije kuburyo buhanitse, kuri we agaciro ntikari aho. Ni naho yabwiye wa mugore w'Umunyasamariya avuze ati mu mateka yacu dusengera ku musozi wa Gerazim, ati ku basenga Data wo mw'ijuru igikuru si ikibanza basengeramwo, ahubwo bamusengera muri „Mutima no mu kuri“ (Yohani 4,23). Gurtyo yashaka ko abigishwa biwe batangarira cane ubuhangange bw'ico gisengero botegera ko Imana ishaka kwegera umuntu kurya kwa se canke nyina ku bana biwe.

Imana ya Yezu - ari we Se wiwe - yama afitiye ikirorobwe abana bayo. Ishaka n'ubu kwibanira nabo. Mu vyo yabonye agahishurirwa, Yohani niwe yandika ati mu mpera ya vyose, Imana izokwibera hagati y'igihugu cayo - muri Yerusalemu yo mw'ijuru -. Azokwibanira nabo. Ico kibanza kizoba gishajije ku buryo buteye igomwe, „nk'umugeni yisharije neza kubera umugabo wiwe“ (Ivyahishuwe 21,2). Uko niko ubwo butore buzosayangana mw'ijuru, n'ubu busa n'ubwibonekeza. Imana ishaka guhera ubu nyene kwibera iwawe. Ishaka kuba muri mwebwe!

Toma niwe atuyagira ati : „ abo Bayuda biyumvise mu mwaka wa 70 igihe igisengero cabo casenyurwa, uko niko nanje niyumvise. Nagiye numva vyose bindemereye, ntabona namba iyo bizoherera. Narabona ko ari shetani, ya yindi ishira akaduruvayo muri vyose. Ico nsigaranye ni aka kanya k'ubu. Kuguma nakira bushasha aka kanya ndimwo. Hari haheze imisi mikeyi ndi mu muzimagiza. Aho nari ndonse akanya kanje gatoyi, naribajije nti : none ubu ukore iki? Niho naciye niyumvira dawe. Naciye ndamuhamagara. maze duhana isango ko tubonana mu gufungura saa sita. Wabaye umwanya mwiza cane mu guhwana nawe. Hageze gusezerana, narumvise ko naronse amahoro mu mutima wanje. Yezu hagati yacu niwe yari yabikoze. Burya ni mu tuntu dutoduto ijuru ryiyugurura : **Bitangurira mu tuntu dutoduto! It starts very small!“**

Kubwago4peace-Team Meinolf Wacker